Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

AMASEZERANO
CONSENT

ITANGAZO KUBAFASHWA: Ibiro vy' Igisata mu Vyerekeye Infashanyo zo Mumibano n' Izamagara (DSHS) birashobora kugufasha binezereje mugihe dufise ububasha bgo gukorana n' ibindi biro vy' ubuyobozi nserukizi n' abantu b' abahinga muvyerekeye akazi boba bakuzi hamwe n' umuryango wawe. Ugushira k' umukono wawe kuri rino shusho, uhaye uburenganzira DSHS hamwe n' ivyo biro vy' ubuyobozi nserukizi n' abantu bamwe banditswe kurutonde aho musi gukoresha no guhanahana amakuru y' ibanga akwerekeye. DSHS ntibishobora kwanka inyungu zawe mugihe udashizeko umukono kuri rino shusho kiretse mugihe amasezerano yawe akenewe m' ukugena ukwemeregwa kwawe. Niyaba udashizeko umukono kuri iyi shusho, DSHS ishobora kuguma ihanahana amakuru akwerekeye biciye m' urugero gwemerewe n' amategeko. Niyaba ufise ibibazo vyerekeye ukuntu DSHS ihanahana amakuru y' ibanga y' umufashwa canke uburenganzira bgawe bg' ibanga, urasabge gukora ubujanama n' Izirikiranyo rya DSHS ry' Ihanahana ry' Amakuru y' Ibanga canke baza umuntu aguhaye iri shusho.

IBIRANGA UMUFASHWA:

IZINA	ITARIKI Z' AMAVUKO	NUMERO YA KARANGAMUNTU

ADERESI	UMUJI	INTARA	NUMERO ZA POSTA

NUMERO ZA TELEFONE (NA KODI Y'AKARERE)	AYANDI MAKURU YO KONGERAKO

ISEZERANO:

Ndatanze uburenganzira bgo gukoresha amakuru y' ibanga anyerekeye muri DSHS mu gukora umugambi, gutanga, no guhuza infashanyo, kuvugwa, kuriha amafaranga, hamwe n' inyungu zo kubganje canke z' ibindi bikorwa bihabga uburenganzira n' amategeko. Ndogeye guha uburenganzira DSHS hamwe n' ibiro vy' ubuyobozi nserukizi biri kurutonde aho musi, ubuyobozi-bufasha, canke abantu kugoresha amakuru yanje y' ibanga kandi no kuyahanahana kubgabo kuri zino ntumbero. Amakuru ashobora guhanahanwa biciye mukuyaga canke munzira zo kurungika amakuru biciye muri arudinateri, muri posta, canke kuzihanahana mu ntoki.

Urasabge kuraba musi hose abarimwo muri aya masezerano bongewe kuri DSHS kandi ubamenye ku mazina yabo na aderesi:

- ☐ Abatanga ibungabunga ry' amagara: _____
- ☐ Abatanga ibungabunga z' ingwara z' ubgenge: _____
- ☐ Abatanga infashanyo ku ngorane z' ibinyobga n' ibiyayurabgenge: _____
- ☐ Abandi bafitaniye amasezerano na DSHS: _____
- ☐ Umugambi wo kurondera inzu zo kubamwo: _____
- ☐ Amashure canke kaminuza zo mu karere: _____
- ☐ Ibiro mu Gisata Kiraba Abanyevyaha: _____
- ☐ Ibiro mu Gisata c' Umutekano wo gutanga akazi nabo bikorana mu guhana akazi: _____
- ☐ Ubuyobozi mu vyerekeye Umutekano mu Mibano canke ayandi mashirahamwe yiyunze: _____
- ☐ Raba urutonde rw' urupapuro rwahometsweko
- ☐ Ayandi:

Ndatanze uruhusha n' uburenganzira bgo guhanahana ivyafashwe bikurikira hamwe n' amakuru (raba vyose niyaba bijanye):

- ☐ Ivyafashwe vyose vy' umufashwa wanje
- ☐ Ivyafashwe biri kurutonde rw' urupapuro rwahometsweko
- ☐ Ivyafashwe gusa bikurikira
  - ☐ Umuryango, umubano n' akahise kerekeye k'akazi
  - ☐ Amakuru y' ibungabunga ry' amagara
  - ☐ Kuvugwa canke imigambi y' ibungabungwa
  - ☐ Ivyafashwe vyo kuriha amafaranga
  - ☐ Amasuzumwa y' umuntu umwumwe
  - ☐ Ishure, ubumenyi, kandi n' imyimenyerezo
  - ☐ Ibindi (urutonde):

URASABGE KUZIRIKIRANYA: Niyaba ivyafashwe vy' umufashwa wawe harimwo kimwe muraya makuru akurikira, utegerezwa kandi k' uzuza kino gice kugira ushiremwo ibi vyafashwe.

Ndatanze uburenganzira gushira ahabona ivyafashwe bikurikira (raba vyose ko bijanye):

- ☐ Ingwara z' ubgenge
- ☐ Umugera wa HIV/SIDA hamwe n' inyishu y' ibipimo vya STD, ingwara zafashwe, canke kuvugwa
- ☐ Infashanyo z' Ingorane z' Ibinyobga n' Ibiyayurabgenge (CD)

- **Iri sezerano rikora ikiringo ☐ umwaka umwe ☐ burigihe DSHS ishatse ivyafashwe, canke ☐ gushika _____ (itariki canke igikorwa).**
- **Ndashobora guhagarika canke gukuramwo iri sezerano igihe icarico cose mu nyandiko, ariko ntibizogira ingaruka mbi ku makuru ayariyo yose yamaze guhanahanwa.**
- **Ndatahura ko ivyafashwe vyahanywehanyw musi yiri sezerano ko murico gihe bishobora kudakoregwa umutekano musi y' amategeko ajanye no muri DSHS.**
- **Ikopi yiy' ishusho ikora mu guha uburenganzira bgo guhanahana ivyafashwe.**

UMUKONO	ITARIKI	UMUKONO W' ISHIRAHAMWE NSERUKIZI/ICABONA	ITARIKI

UMUKONO W' UMUVYEYI CANKE UWUNDI MUSERUKIZI (NIYABA BARIHO)	NUMERO YA TELEFONE (NA KODE Z' AKARERE)	ITARIKI

Niyaba ntari nyene ivyafashwe, ndahawe uburenganzira bgo gushirako umukono kubera ndi: (homekako icemeza c' uburenganzira)

☐ Umuvyeyi ☐ Umurezi w' Amategeko (homekako ingingo y' ubucamanza) ☐ Umuserukizi w' umuntu ☐ Ibindi:

ITANGAZO KU BAHABGA AMAKURU: **Niyaba ayo makuru yafashwe harimwo ivyerekeye umugera HIV, STDs, canke SIDA, ntushobora kubandanya gusohora ayo makuru ata burenganzira bgite butanzwe n' umufashwa.** Niyaba wararonse amakuru yerekeye **ubugizi bga nabi kubera ibinyobga canke ibiyayurabgenge** butegwa n' umufashwa, utegerezwa gushiramwo iyo mvugo mugihe co gusohora ayandi makuru nkuko bisabga na 42 CFR 2.32:

Aya makuru asohowe kuri wewe avuye mu vyafashwe bikoregwa umutekano mu mategeko y' ibanga ya Leta Zunz'ubumwe (42 CFR part 2). Amategeko ya Leta Zunz'ubumwe arakubuza gusohora ibindi vyaya makuru kiretse ubundi busohozi bgayo bgahawe amategeko y' insiguzi munyandiko y' amasezerano yuwo muntu bijejwe canke kiretse bihawe uburenganzira na 42 CFR part 2. Uburenganzira bgo muri rusangi bgo gusohora igice canke ayandi makuru NTI vyemewe muriyi ntumbero. Amategeko ya Leta Zunz'ubumwe arabuza gukoresha amakuru ayariyo yose mu gupererezza ubunyevyaha canke kuburanisha umugwayi k' ubinyobga canke ubugizi bganabi bgatumwe n' ibiyayuramutwe.

AMABGIRIZWA YO K' UZUZA ISHUSHO Y' AMASEZERANO

Intumbero: Koresha iyi shusho mugihe ushaka amasezerano gukoresha ibanga ry' amakuru mu busanzwe bga misi yose mu vyerekeye umufashwa muri DSHS canke mu gusohora ayo makuru kuyandi mashirahamwe nserukizi mu guhuriza hamwe infashanyo canke ukuvugwa, ukuriha canke ibikorwa vy' ishirahamwe nserukizi canke izindi ntumbero zemezwa n' amatageko. Abafashwa n' abantu bahabga ubumaro canke infashanyo ziva muri DSHS.

Kora: Uzuza iri shusho ukoresheje arudinateri niyaba bishoboka mu kworosha gusoma, **Ishusho ritandukanye ritegerezwa k' uzuzwa kuri buri muntu, harimwo n' abana.** "Wewe" mu mabgirizwa bisigura umufasha kurii DSHS hama "wewe" mw' ishusho bisigura umufashwa. Guhanahana ivyafashwe harimwo gukoresha no gusohora amakuru y' ibanga yerekeye umufashwa.

Ibice vy' Ishusho:

INDANGAMUNTU:

- Izina: Tanga izina ry' umufashwa umwe gusa buri shusho rimwe. Ushireko n' amazina ayariyo yose umufashwa yoba yarigize gukoresha igihe co guhabga infashanyo.
- Itariki z' Amavuko: Zirakenewe mu kuranga umufashwa hagati y' amazina asa.
- Inumero y' Akarangamuntu: Tanga numero ya karangamuntu y' umufashwa canke ikindi kimuranga nk' inumero y' umutekano mu mibano (ntisabga) mu gufasha kugena ivyafashwe canke gusuzuma akahise canke infashanyo yaronse.
- Aderesi na telefone: Ayandi makuru azofasha mukumenya aho ari kandi kugena canke kuganira n' umufashwa.
- Ibindi: Shiramwo muri kano gasandugu ayandi makuru ashobora gufasha m' ukumenya aho ivyafashwe biri hashobora kuba harimwo ibice vya DSHS yifatanishije n' infashanyo, amazina y' abanywanyi b' umuryango, canke ayandi makuru afitaniye isano.

ISEZERANO (UBURENGANZIRA):

- Amashirahamwe canke abantu bahanahana ivyafashwe: Iyuzuza ry' umufashwa ry' iri shusho biha uburenganzira bgo gukoresha no guhanahana amakuru y' ibanga muri DSHS yose. DSHS izoshobora gusohora kuri kandi kwakira amakuru y' ibanga avuye muyandi mashirahamwe canke abantu banditswe. Gutanga amakuru aranga yerekeye ayandi mashirahamwe canke ubuyobozi-bufasha, harimwo amazina, aderesi canke igice c' ahantu niyaba bishoboka. Urashobora kandi guhomekako urutonde rw' amashirahamwe yemerewe guhanahana amakuru ayo umufashwa ategerezwa gushirako umukono.
- Amakuru arimwo: Abafashwa bategerezwa kwerekana ni bihe vyafashwe bihagarariwe n' amasezerano. Abafashwa bashobora gukora kugira ivyafashwe vyose bibeho canke bashobora gukora ibice vy' ivyafashwe mugukoresha itariki, ubwoko canke inkomoko y' ivyafashwe. Mugihe umufashwa atashizeko umukono ku masezerano canke aterekanye icafashwe kimwe bgite, guhanahana ico cafashwe bizoguma vyemerewe mugihe bihawe uburenganzira n' amategeko. Urashobora guhomekako urutonde rw' ibirimwo vy' afashwe umufashwa kandi ategerezwa gushirako umukono. Niyaba hari ivyafashwe harimwo amakuru yerekeye ingwara zo mubgenge (RCW 71.05.620), umugera wa HIV/SIDA canke ibipimo vya STD canke ivugwa (RCW 70.02.220), canke infashanyo z' ibiyayurabgenge n' ibinyobga (42 CFR 2.31(a)(5)), uyo mufashwa ategerezwa kudoma kuri ibi bice bgite mu guha uburenganzira bgo guhanahana ibi vyafashwe. Iyi shusho ntikora mu gushiramwo ibisobanuro ry ivugwa z' ingwara z' ubgenge no mumitwe musi ya 45 CFR 164.508(b)(3)(ii) kandi ishusho ritandukanye ritegerezwa k' uzuzwa mu gushiramwo ibi vyafashwe.
- Ikiringo: Shiramwo n' itariki zo guhera kw' amasezerano atunganije umugambi w' intumbero zawe canke nkuko bitangwa n' amategeko.
- Gutahura: Menya neza ko umufashwa yatahuye ni uburenganzira nyabaki bgahawe kandi ni gute na nikuberiki amakuru azohanahanwa. Niyaba bikenewe, koresha ishusho zasiguwe hamwe n' umusiguzi canke soma ishushu n' ijwi ryo hejuru. Niyaba umufashwa akeneye ayandi makuru, tanga irindi shusho ry' Izirikiranyo rya DSHS ry' Ihanahana ry' Amakuru y' Ibanga canke woroheze umufashwa k' umukozi wo gusohora amakuru muri rusangi wo mu gice cawe

UMUKONO:

- Umufashwa: Kugira umufashwa canke umwana ari hejuru y' imyaka irekuriwe mu masezerano (13 ku ngwara z'ubgenge canke infashanyo z' ingorane z' ibiyovyabgenge n' ibinyobga; 14 k' umugera wa HIV/SIDA hamwe n' izindi STDs; umwaka uwariwo wose wo kuzibira gusama inda canke gukorora inda; 18 kw' ibungabungwa ry' amagara n' ibindi vyafashwe) shirako umukono kuri aka gasandugu kandi ushireko n' itariki yo gushirirako umukono. Umufashwa arashobora gusubirira ikimenyetso muri aka gasandugu wabereye icabona.
- Ishirahamwe Nserukizi canke Icabona: Urashirako umukuno kugasandugu mugihe ari wewe uvuga kandi utanga insiguro y' ishusho k' umufashwa. Urasabge gushirako numero zawe za telefone. Mugihe umufashwa azoshirako umukono hanze y' urubuga rw' akazi, mubgire umufashwa kugira umukono w' icabona hano mu gakingo kandi atange numero za telefone. Umunoteri wo muri rusangi arashobora gukora nk' icabona c' umukono w' umufashwa.
- Umuvyeyi canke Abandi Baserukizi: Niyaba umufashwa ari umwana ari musi y' imyaka irekuriwe n' amasezerano, umuvyeyi canke umurezi ategerezwa gushirako umukono. Mugihe umwana adahuza n' imyaka y' amasezerano y' ivyafashwe vyose mu guhanwahanwa, umuvyeyi n' umwana bose bategerezwa gushirako umukono. Niyaba umufashwa y' amamajwe n' amategeko ko atabishoboye, umurezi yacaguwe n' ubucamanza ategerezwa gushirako umukono no gutanga ishusho ry' ingingo yafashwe yo kumucagura. Niyaba umuntu ariko ashirako umukono mubundi buryo (harimwo umuntu w' ubushobozi bw' umuyobozi mukuru w' amategeko mu manza canke umuserukizi w' umuntu), gushirako ikimenyetso "ibindi" kandi ni kugira ishusho y' uburenganzira bg' amategeko mukubikora. Uyo muntu ashirako umukono ategerezwa gushirako itariki z' umukono kandi atange numero za telefone canke izindi aderesi zo kuronderwako.